**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

*Munyonyo 2024* *ikirundi*

# Haguruka!

---

**Wa mwigeme, ndabikubwirije, haguruka!**
((Mariko 5,41)

Bakunzi ba Go4peace,

Hari ibihe bishika, ukamenga vyabuze, ibidushikira mu buzima vyacitse urudubi. Ugasanga umwizero wose twari dufise nawo nyene watumutse, kandi ari ho twakura utuguvu. Duca twiyugara, ntitube tukigira ico dushaka. - Ese ukuntu bihimbara, iyo hagize umuntu aza akakuvugisha, akaguha ingoga zo gutera intambwe nshasha.

Ivyo ni vyo vyari vyashikiye umwigeme w'umukuru w'isinagoga yitwa Jairo. Yari afise imyaka 12 kandi yari ku mpfiro. Yarumva koko ko rugeranyeko. Niho rero se yagenda kwa Yezu akamusaba ngo amugwaneko. Yezu rero araza, ajana na bamwe mu bagenzi biwe, be n'abavyeyi kwa nya mwigeme. Yezu aritegura afata wa muyabaga ukuboko, amubwira n'ukwizigira kwinshi amajambo atanga umwizero ati: „Wa mwigeme we, ndabikubwirije: haguruka!" (Mariko 5,41). Buno nyene aca arahaguruka aragendagenda.

Ese ukuntu biryoshe, iyo turi mu gapfungu, kuronka umuntu atwizeza. Kenshi usanga hakenerwa ijambo rimwe gusa, tugaca dutera intambwe. Mbega wewe muri iyi misi hari umuntu mwoba mwarahuye akeneye ko umubwira uti: „haguruka!"?

Haraciye imyaka myinshi, hari umwigeme yahuye n'isanganya ry'akazi, arakomereka bikomeye kw'ivi. Ukubuvura bamubaga ntaco vyamumariye. Yari yashitse aho agenda yishimikije agakoni. Harageze igihe haduka ikibazo co kwemera gusubira kubarwa, kandi vyaraboneka ko ata mwizero w'ikizovamwo. Yarapfuye guhitishamwo aravyemera. Naramurungikiye muri youtube, ijambo nk'iri dusanzwe tuzirikana buri kwezi. Naryo ryavuga riti: „tera intambwe!". Ku mugoroba niho nasoma ivyo yanyishuye muri Whatsapp ati : „Nari nabuze ayo ncira n'ayo mira mu gufata ingingo, nguma nibaza ko novyemera canke nobireka, niho haza aka vidéo yawe: „tera intambwe". Vyambereye insiguro n'inyishu, bica bimpa inguvu n'umwizero! - **„Haguruka!"**

Kubwa go4peace, Meinolf Wacker